Government of South Australia

# Amasezerano yo muri Ostraliya y'Ubumanuko mu Vyerekeye Ubwinshi bw'Imico n'Imigenzo

*Itegeko ryo muri Ostraliya y'Ubumanuko mu Vyerekeye Imico n'Imigenzo ryó mu mwaka w'2021* ryashiriweho guha agaciro ubutandukane bw'imico n'imigenzo mu bantu kandi rishiraho Amasezerano ya Ostraliya y'Ubumanuko mu Vyerekeye Imico n'Imigenzo (Amasezerano Ngenderwako). Aya Masezerano atanga imbóno ikaba n'índōngōzi ku Bisata, ku Mashirahamwe, ku Bigo, ku Ndandazwa no ku Bibano nk'Ishimikiro Ndôngōrantwâro hamwe n'Indanzi y'Indinganizo n'írāngūrwa ry'Íbikorwá vyâvyo.

**Amasezerano yo Muri Ostraliya y'Ubuseruko yerekaye Imico n'Imigenzo yemeza:**

- Abasangwabutaka nk'Abegukirwa kandi nk'abafise ubutaka n'amazi mu buryo kama muri Ostraliya y'Ubumanuko, babandânya kuzígama n'úgutêza imbere iragi ry'imigenzo yabo n'ivyo bemera nk'umuco wabo wa kera, wīsá kandi muzima, wisangije uruhara rwa kera kandi rubandanya kuri bo nk'Abenegihugu ba mbere muri Ostraliya y'Ubumanuko.
- Ivyaranguye n'ivyagoye abo mu runganwe rwaje imbere yacu, hamwe n'intererano z'abagize ibibano bishasha vyiyongera, bamwe n'abandi bakaba bafatanya guha ishusho akarângagíhugu ka Ostraliya y'Ubumanuko.

**Ano Masezerano ni ayo AbanyaOstraliya y'Ubumanuko bose, kǎndi arōndera:**

- gufatanya ikibano cacu biciye mu kwubahiriza ubudasa bwerekeye imico, indimi, amôko, n'amadini.
- kurema akarere gatekanye, ko guseruriramwo ico umwe wese amaze mu mwidegemvyo ntangere, guhanahana ubumenyi, ivyiyumviro, n'imbono za kazoza, kugira ngo AbanyaOstraliya y'Ubumanuko bose bagendane muri bo ugutahurana n'ukwubahana kwimbitse biciye mu butunzi n'agaciro ntagereranywa vy'ubudasa bwacu.
- gushiraho umushinge w'indinganizo y'imigambi n'ibikorwa bishingiye ku budasa bw'imico, bizogirira akamaro ibibano vyacu kandi bikadushikana kw'iterambere riramá rya Reta yacu.
- gutera umwete ikomezwa ry'ibibanza vyo gukoreramwo n'ibibano bihurikiwemwo na bose, kandi umwe wese akiyumvamwo ko afise ivyó abazwá, ku neza y'AbanyaOstraliya y'Ubumanuko bose.


## Ingingo Ngenderwako z'Aya Masezerano

**Aya Masezerano Yerekeye Ubwinshi bw'Imico muri Ostraliya y'Ubumanuko Ashirahó ingingo ngenderwako, zihamagarira AbanyaOstraliya y'Ubumanuko bose:**


1. Kumenya, kwubahiriza no guha agaciro ubutandukane bw'imico, bw'indimi, bw'amoko n'ubwo amadini, hamwe n'úruhára ivyo vyagize, kandi bibandanya kugira, ku neza ya Reta yacu.
2. Kwiyemeza kugira umutima wo guhanahana ubumenyi mu ntumbero y'ugutahura ubutunzi bw'ubutandukane bw'imico, indimi, amoko n'amadini vyacu.
3. Kumenya ko bashoboye kubaho, kwiga n'ugutera imbere mu nzego zose zigize ubuzima mu kibano kirangwamwo ubumwe n'ukunywana.
4. Kumenya ko báfise uburenganzira bw'ukwubahana, gutahurana, kwizigirana, gukingiranira n'uguhana umwidegemvyo, ku buryo hatigera habaho ugukumirana ukwo ari kwo kwose gushingiye ku mfatiro z'imico, indimi, amoko, n'amadini.
5. Kumenya ko bakwiye kuzigama, guserura, kurāngūra nó kwǐgina ubutandukane bw'imico, indimi, n'amadini hisunzwe amategeko.
6. Kumenya ko bafisé uburenganzira būnganá ku turyó n'úturusho bibaronsa ibibanza mu buzima bw'igihugu mu vyerekeye indero, imibano, imico, ubutunzi hamwe n'intwaro muri Reta yacu.



Honourable Peter Malinauskas MP
Premier of South Australia



Honourable Zoe Bettison MP
Minister for Multicultural Affairs



Damien Walker
Chief Executive
Department of the Premier and Cabinet